Australian BORDER FORCE

Inkuru Ingenzi zinjira muri Australia zitegerezwa kumenya igihe zizoba ziri aho zikumiriwe

Inkuru ikomeye kuri ngombwa y'ivyateguwe vy'ugukumirwa no gushirwa mu gatengo ku ngenzi zose zinjira muri Australia

13 Nyandagaro 2020

Mu gutorera umuti ikiza ca COVID-19, Australia yarashizeho amategeko ku binjira kandi ishiraho amategeko ategekanijwe ku gukumirwa.

Ingenzi zose zinjira muri Australia zitegerezwa kuja ahazo zikumiriwe imisi 14 zishitse aho zinjiriye ubwa mbere muri Australia.

Ingenzi zizohabwa aho kuba habereye muri ico gihe kandi ntibazokwemererwa gutembera, no gufata ingendo mu gihugu hagati (harimwo no kuja aho baba) canke ngo babandanye gufata indege ibashikana imbere mu gihugu imbere yuko iyo misi 14 ngombwa yo bakumirwa ihera.

Amareta y'igihugu n'ay'intara, ashigikiwe na Reta ya Australia, ni yo acungera ibijanye no gukumirwa. Mu bihugu bitari bike no mu ntara, uzosabwa gutanga intererano y'ugushirwa aho ukumiriwe, mu gatengo. Izindi nkuru zirengeye izi ushobora kuzisanga ku mbuga ngurukanabumenyi z'amagara muri Reta no mu ntara ushaka kujamwo.

Ingenzi zicaho zirengana

Ingezi zinjiye muri Australia zicaho zirengana ziva mu gihugu zija mu kindi zirashobora kuvaho zinjira mu yindi ndege ija mu kindi gihugu ivuye mu gisagara washikiyemwo. Ingenzi zicaho zirengana zitegerezwa

- Kuguma ku kibuga c'indege nimba zikeneye kurindira iyindi ndege izitwara, zikarindira amasaha ashika kuri 8
- Zitegerezwa gukumirwa zikajanwa aho Reta yaziteguriye nimba zitegerezwa kurindira iyindi ndege izijana guhera ku masaha 8 gushika ku masaha 72

Ingenzi ziri aho zirindiriye ntizemerewe gufata ingendo muri Australia, mbere no kuja gutegera iyindi ndege ibajana iyo bategerezwa kuja nimba iyo ndege iri mu kindi gisagara.

Ico wokwitega ushitse muri Australia

- Uzosabwa gukurikiza amategeko yose uhabwa n'abakozi bo mu ndege hamwe n'abategetsi bo muri Reta igihe uzoba ushitse muri Australia.
- Uzokwakira umuzigo wawe kandi uce aho utegerezwa guca bakagusuzuma (gasutamo, aho basuzumira uruja n'uruza rw'abantu naho baterera igikumu).
- Uhejeje gutunganya ibijanye no ku mupaka, Intumwa za Reta zizokwereka aho imodoka zitwara abantu ziri zizogushikana aho uzoba urabaye.
- Urashobora kurindira igihe kitari gito kugeza ushitse aho utegerezwa kurara. Intumwa zo muri Reta zizogerageza barabe yuko uwo mwanya uzoba urindiriye utazoba umwanya urambiranye. Usabwa gukorana na zo mu vyo zigusaba vyose kandi no kwihangana.

Ivyategekanijwe kuri iyo misi 14 uzoba uri aho wakumiriwe

- Intumwa za Reta aho uzoba uba ukumiriwe zizoba zirindiriye ko ushika. Zizonezerezwa no kwishura ibibazo vyose uzoba ufise kubaza igihe uzoba ushitse no kugufasha mu gihe cose uzoba ukumiriwe.
- Aho uzoba uhawe kuba hazoba hari ivya ngombwa vyose n'ibikorwa vyose uzoba ukenye igihe cose uzoba uri aho hantu. Aho hantu hazoba hariho umutekano n'isuku bihagije, ivyo kurya, amazi hamwe n'ivyo kugushigikira bijanye n'ivyo kwa muganga.
- Igihe uzoba ukeneye ibijanye n'amagara, nk'akarorero kwandikirwa imiti uzoguma ufata, uzotegekanirizwa ibintu bikworohereza ivyo bisabwa.
- Urashobora gusuzumwa COVID-19 mu masaha ya mbere 48 kandi hamwe n'imisi iri hagati ya 10 na 12 y'igihe uzoba uri aho ukumiriwe. Nimba uhakanye gusuzumwa, urashobora kugumizwa aho ukumiriwe imisi irengeye 14. Ivyategekanijwe ku gusuzumwa bivane n'ibihugu n'intara.

- Hisunzwe amategeko yerekeranye n'umutekano mu gutera igikumu yo mu mwaka wa 2015 kandi akaba ari mu mategeko akwirikizwa mu gihugu, uzosabwa kuguma aho wahawe kuba kugeza abaganga bavuze ko ata kibazo ukemererwa kwinjira mu kibano ca Australia.

Izo nteguro zizoshirwa mu ngiro n'amareta y'ibihugu n'intara kandi zigashigikirwa n'amashirahamwe ya Reta ya Australia.

Guheza ikiringo c'imisi 14 yo gushirwa aho uzoba ukumiriwe

Igihe uzoba urangije ikiringo ngombwa gisabwa ko uzoba uri aho wakumiriwe, urashobora gufata ingendo no kugendagenda muri Australia. Usabwe kumenya yuko ibihugu n'intara bishobora kuba bifise ibisabwa kugira ngo winjire no kugira ngo ushirwe aho ukumirirwa. Utegerezwa gusuzuma no kumenya ibisabwa kugira ngo winjire canke ushirwe aho ukumirirwa mu gihugu ico ari co cose no mu ntara iyo ari yo yose imbere yuko ujayo.

Urubuga ngurukanabumenyi rw'igisata kijejwe amagara yo muri Reta ya Australia rugizwe n'ibigushikana ku nkuru z'igihugu n'intara ku bijanye n'amategeko asabwa ku ngendo *https://www.health.gov.au/news/health-alerts/novel-coronavirus-2019-ncov-health-alert/coronavirus-covid-19-restrictions/coronavirus-covid-19-advice-for-international-travellers#quarantine-for-incoming-travellers*